Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°785 15 Ruhuhuma 2023

## Ubuserukizi bwa Papa Mu Burundi: «Imyaka 60 y'ugusangira akaranga n'ihangiro»

Ubuserukizi bwa Papa mu Burundi bwaraye buhimbaje isabukuru y'imyaka 60 irangiye, icicaro c'Ubuserukizi bwa'igihugu ca Vatikano bushinzwe mu Burundi. Uyo munsi mukuru ukaba wahimbajwe muce itatu.

Kuwa kabiri igenekerezi rya 7 Ruhuhuma 2023 niho haterwa umukono kw'itangazo rusangi. Reta yari yaserukiwe na Ambassadeur Albert Shingiro,

Soma ku Rup. 2

Foto: Mélance Ndayikeze



Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Ni mwebwe munyu w'isi, ni mwebwe muco w'isi



Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Umuryango ni ikibanza ca mbere cigishirizwamwo Inkuru Nziza........................4
o « Nitwitwararike ineza y'umugwayi mu kwubwahiriza agateka kiwe »........................7
o Indongozi ni zo nkingi n'inkinzo y'ubumwe bw'abo zirongoye : Tubere abandi akarorero........................8
o Ubuzima bw'umuntu ni nyagukingirwa no mu gihe c'intambara nyene........................9

# Idominika y'ndwi : Umwaka A

**Igisomwa ca mbere:** *Amategeko 19: 1-2. 17-18*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Amategeko:

*(Urakunda mugenzawe nkuko wikunda wewe nyene)*

Umukama yabwiye Musa ati: «Bwira abanyisrayeli bose uti : Nimube beranda kuko jewe, Umukama Imana yanyu, ndi mweranda. Ntuzokwanke mwenewanyu. Utegerezwa gukebura kavukire, niho utazokwiremeka igicumuro ciwe. Ntuzokwihore kandi ntuze ugirire inzigo abo musangiye igihugu. Urakunda mugenzawe nkuko wikunda wewe nyene. Ni je Mukama.»

**Igisomwa ca kabiri :** *Abanyakorenti* 1, 1-3

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

*(Vyose ni ivyanyu, namwe muri aba Kristu, Kristu na we ni uw'Imana)*

Ncuti zanje:
Mbega ntimuzi ko muri ingoro y'Imana kandi ko Mutima w'Imana aba muri mwebwe? Nihagira uwusambura ingoro y'Imana, Imana izomusambura, kuko ingoro ,yImana ari nyeranda, kandi iyo ngoro ni mwebwe. Ntihagire n'umwe yihenda: muri mwebwe, nihagira umwe yiyumvira ko ari umunyyabwenge ku vy'isi, niyigire ikijuju kugira ngo abone guhinduka umunyabwenge w'ukuri; kuko ubwenge bw'iyi si ari ubusazi mu maso y'Imana. Na none handitswe ngo: Umukama ategera abanyabwenge mu bubangutsi bwabo; kandi ngo: Umukama arazi ivyiyumviro vy'abanyabwenge, arazi ko ataco bimaze. Nuko rero ntihagire n'umwe yihayagiza mu bantu; kuko vyose ari ivyanyu, ari Paulo canke Apolo canke Kefas, ari isi canke ubuzima canke urupfu, ari ivy'ubu canke ibizoza; vyose ni ivyanyu, namwe muri aba Kristu, Kristu na we ni uw'Imana.

## Inkuru nziza : *Matayo : 5, 38 – 48*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Uwuzigama Ijambo rya Kristu, muri we urukundo rw'Imana niho rurangukiye.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Nimukunde abansi banyu)*

Muri irya minsi, Yezu yabwiye abigishwa biwe ati: "Mwarumvise iryavuzwe ngo: ijisho ku rindi, iryinyo ku rindi. Eka jeho ndababwiye kudahangana n'umuhambazi. Nihagira uwugukubita kw'itama ry'iburyo, muhereze n'irindi. Uwushaka kukwitwarira ngo agutware ikanzu, muhebane n'igikwemu. Umuntu niyakugobera ngo mujane intambwe igihumbi, mukwirikire mugire ibihumbi bibiri. Uwugusavye n'umuhe, ukuguranye ntumwinyungushure.

Mwarumvise iryavuzwe ngo: Uzokunda mugenzawe wanke umwansi wawe. Jeho rero ndababwiye nti: Kunda abansi banyu, musabire ababahama, ngo mwerekane ko muri abana ba So wanyu wo mw'ijuru, aha izuba ababi n'abeza, agaha imvura intungane n'indyarya. Kuko mukunze ababakunda gusa, impera yanyu izoba iyihe? Abatozakori bo ntibabigira? Kandi muramukanije na benewanyu gusa, mwoba mugize iki c'akatabonetse? Abapagani bo ntibabigira? Mweho rero, nimube beranda nkuko So wanyu wo mw'ijuru ari mweranda.»

# Ubuserukizi bwa Papa mu Burundi: «Imyaka 60 y'ugusangira akaranga n'ihangiro»

*(Bitangurira ku rup.1*

Umushikiranganji w'Imigenderanire y'Uburundi n'amakungu, Ubuserukizi bwa Papa buhagarariwe na Musenyeri Dieudonné Datonou, Intumwa ya Papa mu Burundi. Iryo tangazo ryamenyesha ko imigenderanire hagati y'Ubuserukizi bwa Papa mu Burundi na Leta y'Uburundi yatanguye mu mwaka w'1963, amezi make inyuma y'ukwikukira kw'Uburundi, hari ku wa 11 Ruhuhuma 1963.

Muri iyo myaka 60 rero iheze Icicaro ca Vaticano gishinzwe mu Burundi, Ubuserukizi bwa Papa bwahimbaje iyo sabukuru ku wa gatanu igenekerezo rya 10 Ruhuhuma 2023, ku civugo kigira kiti: «Imyaka 60 y'ugusangira akaranga n'ihangiro».

Mu kiganiro izo ntumwa zibiri zahaye abamenye-shamakuru kuwa kabiri igenekerezo rya 7 Ruhuhuma, ikiganiro c'ugusigura ubutumwa buri mw'itangazo bashizeko i-gikumu, Albert Shingi-ro, Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu yamenyesheje ko kuri uyo munsi hatanguye icese kuri izo mpande zibiri, indwi y'i-gikorwa co guhimbaza iyo myaka 60 ihaciye igihugu ca Vatikano n'Uburundi bishize umukono ku masezerano yo gukorana mu bijanye n'imigenderanire hagati y'ivyo bihugu.

*Ibik. urup.5*

# Ni mwebwe munyu w'isi, ni mwebwe muco w'isi

(Bitangurira ku rup.1)

Ku wa 5 Ruhuhuma 2023, muri Paruwase Kamenge, Diyoseze nkuru ya Bujumbura abihebeyimana bari bafise akanyamuneza kenshi ko kwigina umunsi mukuru mpuzamakungu w'ibanga ryo kwihebera Imana usanzwe uhimbazwa ku wa 2 Ruhuhuma uko umwaka utashe.

Abihebeyimana bari batewe iteka na Nyenicubahiro umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, hamwe na Musenyeri Evarito Ngoyagoye asanzwe ari mu karuhuko k'abageze mu zabukuru.

Imbere y'inkuka ya misa, umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabanje guhezagira amatara, abamenyesha ko ari ikimenyetso cuko bahamagarirwa nabo kubera urumuri abandi. Urugendo ruca ruratangura rugana mu ngoro y'Imana, abihebeyimana nabo bafise amatara yaka.

Mu budasa bwabo bufatiye ku karangamutima n'akarangabutumwa umuryango umwe umwe wose wisangije, ku rugendo barasayangana bashorewe n'umwungere.

Imbere yo gusigurira abakristu ijambo ry'Imana tuzirikana ku musi w'Imana ugira gatanu mu masabamana y'igihe gisanzwe,



umwungere yabanje gushikiriza abakristu bose indamutso n'imihezagiro ya Nyenubweranda Papa Fransisiko yabashikirije igihe yagendera igihugu kibanyi ca Congo.

Mu nsiguro yashimikiye kuri aya majambo Yezu yashikirije abigishwa biwe ati: « Ni mwebwe mu-nyu w'isi, ni mwebwe muco w'isi.» (Matayo 5, 14-15). U-mwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabanje kwerekeza iryo jambo ku bakristu bose ; abatumirira kuzirikana uruhara Kristu ahamagarira uwabatijwe wese, rwo kuba umuco n'umunyu w'isi.

Ati : «Ayo majambo ntiyayabariye umuntu umwe ku giti ciwe, ariko yayabariye abigishwa biwe bari hamwe nk'umuryango. Ngo bigaragaze ko kuba umuco n'umunyu w'isi biranguka turi hamwe nk'umuryango. Atari uko, umwe aracana uwundi akazimya umuco ntube ukibonetse.

Ubutumwa bw'umukristu bwa mbere ni ukuba umuco n'umunyu w'isi nkuko nawe aribwo butumwa bwa mbere bwamuranze kuri iyi si. Kuko iyi si yacu itahatubonye inigwa n'umuzimagiza w'ikibi. Ni igikorwa rero ngombwa.

Ubwa kabiri, iryo jambo ry'Imana yaryerekeje kubihebeyimana. Ati: «Iryo jambo rirabariwe abihebeyimana ku buryo budasanzwe. Kuko uwihebeyimana kuva aronse iryo banga nta kindi abereyeho atari guha akanovera isi no kuyibera umuco.

Uwo muco uturuka kuri Yezu Kristu we muco nyakuri. Abihebeyimana nabo bakaba utumuri duto duto barahura kuri Yezu Kristu. Si igikorwa coroshe kuko ibiyaga n'ibirere birwanya uyo muco ari vyinshi. Bisaba kurwana n'imiyagayaga ngo uwihebeyimana agwanire ibanga ryiwe ry'ubwihevyi ashobore gurtyo kubera umuco abandi ».

### None uwihebeyimana yobishobora gute?

Kugira bishoboke, uburyo bwa mbere uwihebeyimana afise ni nk'ubw'umukristu wese afise bwo kwakira Yezu mw' ijambo ry'Imana bazirikana no mu gisabisho c'ubudahengeshanya. Kukaba nkako ukwihebera Imana ni uburyo bumwe muri butatu abakristu bafata ngo bashobore kuba beranda.

Ubwo nabwo bukaba ari ibanga ry'ubwepisikopi, ubusaseredoti n'ubudiyakoni; ukwiheberimana, no kuba umulayike w'umukristu.

Ubwa kabiri kwakira Yezu neza mu masakramentu y'Ekleziya cane cane iry'Ukaristiya n'iry'ikigongwe. Uwihebeyimana aca kuruhande amasakramentu yibwira ko afise indagano zimugenza aba ataco yategereye no muri izo ndagano nyene. Ubwa gatatu kwakira Yezu no mu muvukanyi babana no mu boro bose bahura. Uwihebeyimana ategerezwa kwirimbura ubwa mbere afatiye kuri ubu buryo butatu.

Ariko hari akandi kantu gaheta vyose kabashikana kure mu kuba umunyu udatituka n'umuco w'isi. Ni za ndagano zo guheba ishaka ryabo ngo bakire ishaka ry'Imana mu gushira imbere Yezu nk'itunga rikuru, mu kugira urukundo rwagukiye bose, mu kwibuza kubaka kandi bari babirekuriwe.

Izo ndagano zirabanywanisha na Kristu nkabubakanye neza; zikabashikana ahakirurutse haboneka maze wa muco ukabera ngirakamaro benshi, ukarengera n'imbibe z'igihugu.

Arangiza inyigisho abasaba kwirinda kuba umunyu wataye akanovera. Maze ibikorwa vyabo bitume ababona baninahaza Imana. Umwungere yongeye kubakengurukira ku butumwa butandukanye barangura, n'ibisabisho berekeza ku muryango wose wa Diyoseze ya Bujumbura.

*MSV Ndikumana Marie Goreth*

# Umuryango ni ikibanza ca mbere cigishirizwamwo Inkuru Nziza (Ibikurikira)


Foto: Chanel HARINGANJI

Igice kigira kabira, kigizwe n'inyigisho yatanzwe n'umushingantahe Theon TUYISENGE.

Mu ntangamarara, yabanje kuvuga ikibanza umuryango ufise mu buzima bw'umuntu. Ati: «Umuryango ni ikibanza c'akanyamuneza, umuntu yidagaduriramwo. Mu muryango, niho honyene uvuga iryo wishakiye, ugafungura ico ushatse kandi wiyumvamwo abo murikumwe ».

Uwutarashinga umuryango, arara arifyuye yizerako niyaronka uwo bubakana azoba aronse amahoro. Ayo mahoro ni ingendo irangwa mubasangiye urugo. Iyo urugo rutararonka ikibondo, haba hari agahaze kuri ayo mahoro. Urwo rugo nta mahoro ruba ruraronka.

Umuryango rero urimwo umugabo, umugore n'abana niryo tanguriro ry'amahoro ku muntu. Bari hamwe, barondera hamwe ibibatunga, umwe wese mu bimuraba, bagatunga, bagatunganirwa.


Bamwe mu bari bitavye iyo nama bari bicaye mu mirwi bahanahana ivyiyumviro

***Umuryango n'iki?***

Aha twovuga urugo *(le foyer)*: hari imigambi yibonekeza yo gufuta umuryango mu gutesha agaciro ijambo umuryango mu ntumbero yo guteza imbere agateka ka zina muntu. umwanditsi Claude Lavi Strauss arerekana ko "Umuryango ari ihwaniro ry'abantu babana hamwe mu buntu".

Ati:"umuryango ufita inzu kandi ukarangwa n'imigenderanire yo kwiyumvana, gufashanya no kubana neza, hagati y'umugabo n'umugore, hagati y'abavyeyi n'abana na cane cane mugukingira ubwisanzure bw'umwumwe wese mukibano, ku mubiri no ku mutima"

Abaromani, ari nabo dufata ko batanguje vy'ukuri amategeko kuburyo buhanitse nk'uko tubibona ubu, bafashe ko umuryango ari urwego rw'ikibano rurongowe na se rugo. Kubera ico umugore, abana be n'abacakara bose batunzwe muri urwo rugo bakesha ugupfa no gukira kwabo kuri se rugo.

***Impinduka ku muryango :***

* Umuryango wagiye urihindura isura : bahereye aho abantu babana nk'ibikoko (de facon sauvage), hanyuma polyandrie, hanyuma polygami et la monogamie. Aho umugabo agira umugore umwe,umugore akagira umugabo umwe.ati uwo muryango niwo twovuga ko ariwo ugezweho ubu naho ibitero vyo kuwuhindura bitabuze.

* Ubu tugeze aho umukobwa afata ko azovyara umwana atamugabo akaneye, umuhungu uko. Hari abashima kwigumira bonyene, bakavyara, kandi bakifata n'uruvyaro rwabo ko bagize umuryango.

* Ubu hageze aho abasangiye igitsina babana: Homosexualite, la lesbianite, les bissexualité, la transexualite, kandi bagasaba ubwo burenganyira muma reta, rimwe na rimwe ico cipfuzo cabo bakagishikana no mu mashengero.

* Ukutizerana (L'infidélité aujourd'hui).

* Aujourd'hui, on fabrique des robots : hari abashima kwibanira n'utumashini (Robots) batengeneje kurugero rwabo canke bagahitamwo kwihindura (chirurgie esthétique), kwambara ibibumbano bisubirira umubiri (fesses, seins en plastique).

Vy'ukuri umuryango utera uta agaciro kubwibone n'ukwikunda kw'abantu.

***Biracaza***
***Chanel HARINGANJI***

# Ubuserukizi bwa Papa mu Burundi: «Imyaka 60 y'ugusangira akaranga n'ihangiro»

(Bitangurira ku rup.2

Ati: «Imyaka 60 si mike, ayo masezerano arakuze, ni aya kera. Ivyakozwe muri iyo myaka yose vyaciye mu ngendo zagiye zirakorwa n'abakuru b'ivyo bihugu, ku mpande zose, bakama bayaga neza ibijanye n'imigenderanire hagati yi'vyo bihugu uko ari bibiri n'ingene bukwama bateza imbere imigenderanire. »

Mu bijanye n'ugufashanya mw'iterambere, mu gisata c'indero n'amagara y'abantu, na ho, Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu yaravuze ko hari vyinshi bakorana biciye mu gufashanye na Ekleziya katolika.

Aha yaribukije amaseminari n'ayandi mashure akukira Ekleziya Katolika atanga ubumenyi bw'akanovera n'indero ishimishije ishingiye ku nyifato rukristu, mbere ngo akaba amaze kuramurira igihugu incabwenge zimaze kwiyerekana mu vy'iterambere ry'igihugu.

Yaravuze kandi n'amavuriro akorera irya n'ino mu gihugu mu kuvura abarwayi.

Musenyeri Dieudonné Datonou, Intumwa akaba n'uwuserukira Papa mu Burundi, yatanguye kuvuga amamuko y'icicaro c'Ekleziya Katolika n'ingene imigenderanire ya Vaticano n'Uburundi yatanguye.

Akaba yaradomye urutoke ku bihe vy'ukwikukira kw'Uburundi. Ngo nta wogira ico avuze kuri iyo migenderanire adahereye kw'isano riri hagati y'itanguzwa ryayo hagati y'Ubuserukizi bw'Ekleziya Katolika mu Burundi n'igihugu c'Uburundi nyene. Kukaba nka ko, ngo iyo Uburundi butaba igihugu cikukiye, iyo migenderanire ntiyari kuronka aho ishingira.

Yaribukije ko, Uburundi bumaze kwikukira, uwari aserukiye icicaro c'Ekleziya mu gihugu ca Zaire ico gihe, ahejeje kurungikira umwami Mwambutsa-IV ubutumwa bwo kumukeza bwa Papa Yohani-III, uno mwami na we yaciye yerekana ubushake bwo kuja i Vatikano kugenderera Papa, kuko yari azi neza ko n'abanyagihugu arongoye ari aba-Katolika. Aho hari kw'igenekerezo rya 16 Kigarama 1962.

Musenyeri Dieudonné Datonou, Intumwa akaba n'uwuserukira Papa mu Burundi yarongeye ashikiye ku ngendo zagiye zirakurikirana baba abakuru b'igihugu ku ntwaro zakurikiye Ukwikukira, urugendo rwa Papa Yohani Paulo wa II yagize mu Burundi ku magenekerezo ya 5-6-7 umwaka w'1990, urugendo rwa Presida Pierre Nkurunzi mu 2008 na Presida Evariste Ndayishimiye kuwa 26 Ntwarante 2022. Ati «aho hose kwari ugukomeza imigenderanire n'ubucuti hagati y'ivyo bihugu bibiri ».

Yarangije amenyesha indinganizo y'urwo rubanza rwo kuri uyu wa Gatanu: kw'isaha zine zo mu gitondo ko hazoba ihwaniro-kiyago, muri «Kiriri Garden Hotel», ku mugoroba na ho, kw'isaha icumi n'igice, haherezwe inkuka y'imisa kuri Katedrale Regina Mundi, ihimbazwa ry'uwo musi risozererwe ku kwiginana nk'abavukanyi.

Igice ca kabiri c'integuro y'uguhimbaza iyo sabukuru y'imyaka 60 iheze habaye ubuserukizi n'imigenderanire ya Vaticano na Reta y'Uburundi, catunganijwe ku munsi wa gatanu rero igenekerezo rya 10 ruhuhuma 2023.

Uyo munsi, Ubuserukizi bwari bwatunganije ikiganiro kuri « Hotel Kiriri Garden » cari catumiwemwo abategetsi batandukanye: uhereye kubarongoye Ekleziya gatolika, abaserukiye amashengero atandukanye, nk'aba Anglikani, aba Orthodoxes; hari kandi abaserukiye Reta y'Uburundi, abahoze batwara Uburundi (Presida Domitien Ndayizeya na Sylvestre Ntabantunganya), abarongoye imigambwe yemewe mu Burundi n'abandi.

Ico kiganiro caremeshejwe na Ambasaderi Laurent Kavakure na Furera Emmanuel Ntakarutimana, bakaba bashimikiye ku «Bikorwa n'uruhara rw'Ekleziya gatolika mu Burundi imbere y'ukwikukira kw'Uburundi, mu gihe c'uguharanira intahe y'Ukwikukira, n'inyuma y'ukwikukira. Aho hose bakaba bashimikira ku bikorwa vyerekeye iterambere ry'umutima n'umubiri, mu vyerekeye amagara y'abantu n'indero mu mashure yashinzwe kandi yegamiye Ekleziya gatolika.

Ntibasize inyuma n'amabi yashikiye Ekleziya gatolika mu nyaka y'1972 aho abapatiri n'abihebeyimana bagandagurwa n'ubutegetsi bw'ico gihe, ukwirukanwa, ugufungwa kw'abapatiri n'ukwugarwa amasengero ya Gatolika mu madiyoseze amw'amwe.

Ku mugoroba w'uyo munsi na ho, kw'isaha icumi n'igice, haherejwe inkuka y'imisa kuri Katedrale Regina Mundi, aho hashikiririjwe amajambo aranga iyo sabukuru.

Hakaba hari hatumiwe Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, Icegera c'umukuru w'igihugu, umushikiranganje wa mbere, abagize Reta y'Uburundi, abashingamateka n'abakenguzamateka, abaserukiye umu muryango w'uwabaye Umuserukizi wa mbere w'Uburundi mu 1963, abasaserdoti n'abakristu isinzi.

Iyo sabukuru y'uguhimbaza imyaka 60 iheze habaye Icicaro n'Ubuserukizi bwa Vaticano mu Burundi yasozerewe n'agatutu kabereye ku Kirimba c'Uwuserukira Papa mu Burundi.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# « Mwitwararike »: Impuhwe nk'umwimenyerezo nsangizangendo w'ugukira (Ibikurikira)

Bavukanyi, ntawutegura canke ngo ategekanirize indwara. Bisubiye kandi, ntitwigera twitegurira kwakira ubusaza. Turatinya amagara make, imigenzo yiganje niyo ituma dutinya. Nta gituma tuba ba ntamagara. Ikibi iyo kije giturumbuka kiratugwanya kigadukubita ahsi, kikadusiga turi intere.

Birashobora gushika ko abandi baduheba canke natwe tukamera nk'abategerezwa kubaheba, kugira ngo ntitubaremere. aho niho ukwikumira bihera hamwe n'ukuremerwa n'akarenganyo bikadusinzikaza kuko ijuru risa n'iryatuguyeko birababaje kuvuga ko turi mu mahoro y'Imana, mu gihe imigenderanire yacu hamwe n'abandi iguma itituka.

Ng'ico igtuma bihambaye rwose, cane cane ku vyerekeye ingwara, ko Ekleziya yose hamwe yigereranya n'akarorero k'Inkuru nziza y'umunyasamariya w'ubuntu, kugira ngo ihinduke "ibitaro vyiza bifasha abahuye n'ivyago": kukaba nkako, ubutumwa bwayo bwiyerekana mu kwitwararika abandi, cane cane mu bihe vya kahise ducamwo.

Twese turi abagoyagoya na ba ntamagara. Turakeneye uwo mwitwarariko wuzuye impuhwe zishobora guhagarara, kwegera, kuvura no kuremesha. Ukubaho kw'abagwaye ni umuhamagaro uhagarika ukutitanaho, ukugabanya umurindi w'abagenda nk'abadafise ababanyi.

Kukaba nkako, umunsi mpuzamakungu wahariwe abagwaye ntudutumirira gusa igisabisho no kwegera ababaye, ufise kandi untumbera yo gukabura igihugu c'Imana, inzego zijejwe amagara y'abantu n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike ku buryo bwo kugendera hamwe.

Ubuhanuzi bwa Ezekiyeli bwavuzwe mu ntango burimwo urubanza ruhambaye kuri abo bashinzwe itunganywa ry'ubutunzi, imico n'intwaro ku banyagihugu: "Mwirira ibinure vyayo, mukambara impuzu z'ubwoya bwavyo, mugahereza kw'imbagwa ibitungwa binuze, ariko ntimuragire ibitungwa.

Ntimwakomeje intungwa igoyagoya, ntimwavuye iyigwaye, ntimwatenze iyari yavunitse, ntimwagaruye iyari igiye kuzimira, ntimwarondeye iyatakaye; ariko mwazitwaje umukazo n'agahato." (Ezekiyeli 34,3-4).

Ijambo ry'Imana riraturmurikira kandi ryama ari rishasha. Atari ukwagiriza gusa, ariko kandi ryama ritanga intumbero.

Mu vy'ukuri, umusozo w'umugani w'umunyasamariya w'ubuntu, uratwigisha ko ugukomeza umuvukano, bitangurira mu guhura umwe n'umwe, ushobora kwagurwa mu kwitwararikana bitunganijwe neza. Indaro, uwutanga indaro, amafranga, indagano zo kuzoguma kumenya ibizokurikira (Luka 10,34-35): ivyo vyose bituma twiyumvira ubutumwa bw'abasaserdoti, ibikorwa vy'abajejwe imibano n'amagara y'abantu, ivyo imiryango yiyemeza n'abakorerabushake kuko ku munsi ku munsi, mu gice cose c'isi, iciza kiritandukanya n'ikibi.

Imyaka y'ikiza ca "corona virus" yarongereje umutima w'ukwitanga ku buntu, ku bakora kuy munsi ku munsi mu bijanye n'amagara y'abantu n'ubushakashatsi. Ariko ntibikwiye gusa kuva mu bihe bibabaje vyashikiye benshi mu gushimira intwari.

Ico kiza ca corona virus carashize mu mageragezwa akomeye ukwo gushira hamwe ubushobozi no gushigikirana, carerekanye kandi aho ubushobozi bw'inzego bugera mu guharanira ineza. Birakenewe rero ko uwkitanga kujana n'ubushakashatsi bibonekera mu buhinga no mu buryo, mu gihugu cose, kugira ngo umuntu wese yoroherwe mu kwivuza no mu kugira uburenganzira mu vy'amagara y'abantu.

"Mwitwararike" (Luka 10,35): Ico ni co umunyasamariya yasavye nyene indaro. Yezu agisubiriramwo umwe wese muri twebwe no mu mpera akatubwira ati: "Genda nawe ugire gutyo". Nkuko nabishimangiye mlu nyigisho "twese turavukana", uwo mugani uratwereka utwigoro umubano ushobora kwubakirwako kubera abagabo n'abagore bitwararika amagara make y'abandi, batemera ko higaragaza umubano uvangura ariko biyegereza kandi bakavyura uwuri hasi, kugira ngo iciza kibe rusangi.

Mu bisanzwe, "twaremewe umwuzurira ushingiye ku rukundo. Kuba sindabibazwa mu gihe c'ububabare ni uguhitamwo ibodashoboka.

Kuri iri genekerezo rya 11 Ruhuhuma 2023, twerekeze amaso yacu ku Kirimba c'Umugabekazi w'i Lourdes nk'uko bwoba ari ubuhanuzi, ni inyigisho nkoramutima kuri Ekleziya mu bihe tugezemwo.

Umuntu ariko arakora igikorwa c'agaciro ntaharura. Abantu bagwaye bafise ikibanza c'iteka mu muryango w'abana b'Imana, umuryango utera imbere mu rukundo urimwo kumwe na bo, ivyo bikaba nk'imburi ku kiremwa muntu aho umuntu wese afise agaciro kandi ata n'umwe akumiriwe.

Ndagije umwe wese muri mwebwe mugwaye, ubukandizi bwa Mariya, Bujkiriro bw'abagwaye, na mwebwe mubitwararika mu miryango, biciye mu kazi murimwo, ubushakashatsi n'ukwitanga; namwe mwiyemeje kwunga imigenderanire y'abantu, y'Ekleziya n'umuvukano w'-abantu. Ndabarungikiye mwese umuhezagiro w'abatumwa.

Bigiriwe i Roma, ku cicero citiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano, igenekerezo rya 10 nzero 2023.

***Papa Fransisko***

***Vyahinduwe mu kirundi n'ibiro nshingwabutumwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi***

# « Nitwitwararike ineza y'umugwayi mu kwubwahiriza agateka kiwe ».

Kw'igenekerezo rya 11 Ruhuhuma 2023, wari umunsi mpuzamakungu ugira 31 wahariwe abagwaye. Muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, uwo munsi ukaba wahimbarijwe mri Paruwase yitiriwe Augustino mweranda yo mu Buyenzi mu gisagara ca Bujumbura, ku civugo « **Nitwitwararike ineza y'umugwayi mu kwubwahiriza agateka kiwe** ».

Inkuka ya misa ikaba yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze Gatolika y'i Bujumbura, ahagatiwe n'Icariho gikuru Musenyeri Anatoli Ruberinyange, n'abasaserdoti barangurira ubutumwa muri iyo paruwase, umunyamabanga Nshingwabikorwa muri Diyoseze ya Bujumbura, bamwe mu basaserdoti baje bava mu maparuwase agize Intara y'Ubutumwa ya Michaeli mweranda.

Mu ntango y'imisa, Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, ahejeje kwibutsa imvo n'imvano y'uyo munsi, yagize ati : « Ni akaryo keza ko gukengurukira Imana yaduhaye ubuzima kandi yama ibutubungabungira.

A-riko kandi, kugira ngo iyo Mana itubungabungire ubuzima n'amagara, ica ku buryo buboneka, ku bantu twebwe nyene mu kudukaburira umutimwa ngo twitwararika abantu na cane cane abakitswe n'amagara. Umuvyeyi wacu Papa, mu nyigisho yaturungikiye, ashimikiye ku munyasamariya yatabara indembe, adutumirira natwe 'kwitwararika abagwaye, mu kubagirira ibishoboka vyose na cane cane kubereka impuhwe kuko hejuru y'ingwara y'umubiri, ubunyakamwe, ukubona ko atawumwitwararitse, bituma aremba gusumba. »

Yaciye aboneraho akaryo ko gukengurukira imigwi itandukanye y'abarangurira ubutumwa mu bagwaye mu kubafasha mu buryo ubu canke ubundi, mu kubereka ukuboko kwa Yezu we yitwararika abakitswe n'amagara mu kubakiza indwara zose. Ati : « Igikorwa mukora, mubandandanya ubwo butumwa bwa Yezu Kristu.»

Inkuka y'imisa irangiye, twaregereye Patiri Anicet Shumbusho, Umunyamabanga Nshingwabikorwa muri Diyoseze ya Bujumbura, amaze kwibutsa ihangiro ry'uwo munsi, yatumirira abajejwe kwitwararika abagwaye gukora ico gikorwa berekana impuhwe babitwararike nka wa musamawariya w'ikigongwe, ati: «Abaganga ntibakora nk'uguca amahera ariko bakabikora bumva ko ubuzima bw'umuntu, mu gihe buri mu minwe y'uwundi, umuhamagaro afise ni uwo kububungabunga kugira ngo abubogore mu ntumbero yuko



muri ubwo bubabare nawe yumve ko ari kumwe n'uwo ababaye.

None rero baba abo bagwaza baba abo bavura, eka nabo bose bagenda begera abagwaye bagende bafise muri bo uko kumva ari mu ntege nke mu magara make baheze bamushigikire »

Serurakuba Emmanuel, Umunyamabanga w'Inama Ntunganyabutumwa ya paruwase Buyenzi, atubwira uko uyo munsi mpuzamakungu wahariwe abagwaye bawutunganije, ati :



« Mukwitegurira uyu munsi mukuru wahariwe abagwaye, twateganije akantu dushikiriza abagwaye bacu abo twashoboye kwegeranya ni Abawaye 32 : abagwaye 12 bo mu mibano (9 bo mu kirundi, 3, mu gishwihli), 10 basanzwe bakurikirabwa n'abasangizi muhira iwabo.

Hari kandi n'abandi batashoboye kuza tukaba tuzorondera uko tubashikira maze tubashikirize mu vyo twaronse muri iyi minsi yo kuva gatatu gushika uyu munsi mu misa zose igihe c'ugukenguruka. Amashikanwa yose akazoheberwa abo. Hari kandi n'abandi 10 bavuye mu kigo « Nouvelle Espérance » baja kuronka akaganuke.

Ku kibazo c'uko uyo munsi uheze, ico gikorwa gica gihagarara, Serurakuba Emmanuel amenyesha ko igikorwa kibandanya kuko hari n'abajejwe kuja gusuhuza abagwaye, bakaboza, bakabamesurira impuzu, bakabashikiriza Yezu Kristu mw'Ikomuniyo nyeranda. Kandi ivyo vyose tukabikora turi kumwe n'abaturongoye mw'iparuwase. »

Tubibutse ko igikorwa co kuraba abagwaye cari caraye gitunganirijwe mu kigo c'Aba- Calcuta bo ma Kajaga.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Indongozi ni zo nkingi n'inkinzo y'ubumwe bw'abo zirongoye : Tubere abandi akarorero

Ku wa 5 Ruhuhuma 2023, imyaka 32 yari irangiye Abarundi biyemeje amasezerano y'ubumwe bwabo, aho naho hakaba hari kw'igenekerezo rya 5 Ruhuhuma umwaka w'1991.

Uyo munsi mukuru ukaba wahimbajwe mu gihugu cose ku munsi wa mbere igenekerezo rya 6 Ruhuhuma, ku civugo «"***Indongozi ni zo nkingi n'inkinzo y'ubumwe bw'abo zirongoye: Tubere abandi akarorero"***.»

Mw'ijambo Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, Umukuru w'igihugu, yashikirije, yavuze ati:

*Bavukanyi banje,*

2. Ubumwe bwacu bwamye bukomezwa n'uko Abarundi bose basangiye igishitsi kimwe: Turi benemugabo umwe Burundi; dusangiye itongo rusangi ari ryo rya Sebarundi; Twemera Imana imwe, tukavuga ururimi rumwe, ikirundi.

3. Bisubiye, kuva kera na rindi, abarundi bavoma hamwe imico n'imigenzo, bakahira umwami umwe, n'ivyariho vyiwe vyamwunganira mu butumwa bwo kuba umuvyeyi mu muryango. na kare bamye bavuga ko "Umwami agirwa n'abagabo".

4. Ubwo bumwe kandi bwatsimbatazwa n'akarangamutima kamye karanga abarundi nako kakabonekera mu mico, akaranga n'imigenzo.

Ivyo navyo bikaba vy'igaragariza ku urukundo, ugufashanya, no gutabarana ata buryarya burimwo.

Hariho imico yabagarira ubwo bumwe, nko kugemuriranira, gushumbushanya, gukukirizanya ikivi, kugabiranira, gushigikirana mu vyago, kurengereza ijoro umubanyi n'ibindi.

5. Ubumwe, aho buri burivuga, bukibonekeza atawurinze kuburata. Ahari ubumwe, umuntu yiyumva mu bandi, ntaho atinya guhonyora.

Mu gihugu haba ubumwe iyo abenegihugu basangiye umutima n'inama. Muri ico gihe, umwe wese aricisha bugufi akabona ko mugenziwe amuruta kuko hari ico afise amushakako nakare ntawishoboye muri vyose. Umwe wese arakeneye rero uwundi.

Mu gihugu kandi haba ubumwe iyo abenegihugu bose bafise uburenganzira bungana kw'itunga rusangi.

6. Aha rero duca twumva uruhara rw'indongozi. Indongozi ni nk'umuteretsi. Aho mu mihana iwanyu muragira imanza kandi murashinga umuteretsi. Turamaze kubibona, ntawutora umuteretsi w'inda mbi canke w'umukunzi w'inda.

Iyo mutoye umuteretsi w'umunyamwina, abanza gusama amagara yiwe n'ayabiwe abanda akabibuka abaha imvuzo. Iyo aravye nabi naho, asanga abatumire bivumbuye, nyene urubanza agasigara aramaramara. Nico gituma atawutora umukunzi w'inda ngo asangize abana.

7. Ingongozi mu gihugu ni nk'umuteretsi shebuja yashinze gutunganya ivy'urubanza kugira abigere neza ntihagire n'umwe abura.

Mbere mu mico n'imigenzo y'Uburundi, n'umukenke w'injabuka wamyeho. Nico gituma mu gihugu cacu abanyamahanga bahiyumvamwo.

Indongozi iserukira igihugu. Itegerezwa kumenya ko abenegihugu bose bankana kandi niko vyari kuva kera; umwami nico gituma yitwa Sebarundi kuko yaserukira igihugu catuvyaye. Ubwo ivyo turabizirikana, ko ari akaranga k'Uburundi?

Nitwaba tubizirikana, ni kuki duhimbaza uyu musi wa gatanu ruhuhuma kandi twavuze ko ubumwe atari umuhayo, bwivuga aho buri?

8. Ubu ni igihe co gusigurira urwaruka rw'ubu igituma uyu musi tugira umusi mukuru w'ubumwe kandi atariko vyahora.

Incungu ya Demokarasi, Nyenicubahiro NDADAYE Melikiyoro niwe yavuze ati ubumwe si umuhayo kandi si urugoto. Yabivuze kuko yabona ko abarundi bahindutse bakamera nka ba bafarizayo yezu yaheba akita ba berakumenyo, abiyorobetsi.

9. Ahari ubumwe, nturinda kubiririmba, ico tuzi ni uko vyibonekeza kuko ahari ubumwe haba amahoro n'umwumvikano. Ahari amahoro naho umuhoro uramwa. Haciye igihe rero, igihugu cahungabanye, bwa bumwe bwaranga abo hambere buragenda amazimayongo.

Igihugu carigungiwe n'akagwi k'abantu, mbere uwubaravye mu kanwa bakamugandagura.

Mu masezerano ya Arusha niho babivuze neza ko inkomoko y'indyane twaciyemwo yamutse kubashaka kwigungirako ubutegetsi abandi nabo bagashaka kubushikira. Icavyunyuye ni uko abo bose barondera umugwi w'abarundi bokwishimikiza kugira babakomeze.

10. Ivyo vyose bica vyunyurwa n'ukudatahura neza ico ari co ubutegetsi bw'igihugu no gutahura ico ari co indongozi.

Ivyo ni vyo vyatumye haba indyane mu gihugu mbere zadushikanye no kugahomerabunwa, indongozi zigategura guhonya ubwoko mu gihugu.

11. Ubwicanyi bwabaye atacamira nibwo bwatumye abarundi bicamwo imice, haramera mu gihugu inzigo y'inzikira, hatangura ivyo kwihorahorana.

Nitwaba rero uno musi turiko turasubirana, ni uko twasubije agatima mpembero, dutangura kurema umurundi mushasha azira amacakubiri, afise umutima wo kubana neza n'abandi.

***Ndongozi y'Uburundi***

# Ubuzima bw'umuntu ni nyagukingirwa no mu gihe c'intambara nyene

*Bimwe mu vyo ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho imbabere kw'isi (CICR) rijejwe, harimwo kumenyekanisha amategeko mpuzamakungu akingira abantu mu gihe c'intambara (droit international humanitaire). Bishikirizwa na Pierre Emmanuel Ducruet ahagarariye iryo shirahamwe mu Burundi. Ni mukiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa 27 Kigarama 2022.*

Ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho imbabare kw'isi (CICR) riritwararika kumenyekanisha amategeko mpuzamakungu akingira abantu mu gihe c'intambara. Ngaha mu Burundi, iryo shirahamwe rifitaniye masezerano na Kaminuza yitiriwe umwizero wa Afrika na Kaminuza y'Uburundi mu gisata c'amategko.

Bimwe muvyo bashira imbere ni gutsimbataza ubumenyi ku bijanye n'ico gisata c'amategeko mpuzamakungu araba agateka k'abantu mu gihugu kiri mu ndwano. Muri iyo ntumbero, iryo shirahamwe rirategura amahiganwa mpuzamakungu, aho abanyeshure bo kuri ayo makaminuza bakora imyimenyerezo ituma bategera ningonga ibiri muri ayo mategeko, bagahiganwa n'abandi.

Pierre Emmanuel Ducruet ati: «amahiganwa dutegura aba arimwo ubumenyi bwimbitse muri ico gisata mu ntumbero yo gutegurira abo banyeshure kuzoshobora kuba abacamanza, abashingwamanza canke abamenyeshamakuru beza. Abanyeshure bo mu Burundi bahura n'abandi bo mu bindi bihugu bagaheza bakagira imyimenyerezo ibafasha gutegera neza ivyo baba barize mw'ishure».

Ico gisata c'amategeko gisa n'ikidashirwa imbere cane mu nyigisho mu mashure. Ngo nico gituma iryo shirahamwe riguma riharanira kugiteza imbere. Pierre Emmanuel ati: «Ibintu vyarahindutse kandi vyarateye imbere. Amategeko arakingira abantu bose, kandi akabaha iteka ryabo.

Mu gihe c'intambara, abarwanyi barakingirwa, abenegihugu bagakingirwa, abamenyeshamakuru canke abariko baritanga ngo barokore ubuzima bw'abakomerekera mu ntambara uko nyene. Ivyo vyose rero bitegerezwa kwigishwa.»

**Ayo mategeko akingira imirwi iyihe y'abantu?**

Nk'uko tubisanga mu bitabu bitandukanye bivuga ku mategeko mpuzamakungu akingira abantu mu gihe c'intambara, ayo mategeko atunganya imigenderanire hagati y'ibihugu, amashirahamwe mpuzamakungu n'abandi begwa n'amate-geko mpuzamakungu.

Ni ishami ry'amategeko mpuzamakungu agenga ibihugu, akaba arimwo ingingo zikoreshwa mu gihe c'intambara irimwo ibigwanisho bicira umuriro.

Ayo mategeko akingira abantu ataruhara bigeze bagira mu ntambara, canke bigeze kugira uruhara mugabo bakaba ataruhara bagifise. Ayo mategeko aranashinga urubibe rw'uburyo n'ubuhinga bikoreshwa mu ntambara, ku buryo abari mu ntambara bataba barekuriwe gupfa uko barwanye.

Mu yandi majambo, ayo mategeko ni icitiranwa c'«amategeko y'intamabara hagati y'abitwaje ibirwanisho bicira umuriro» canke «amategeko y'indwano».

Amategeko mpuzamakungu akingira abantu mu gihe c'intambara rero, akoreshwa mu gihe c'intambara mpuzamakungu irimwo ibirwanisho bicira umuriro no mu gihe c'intambara itari mpuzamakungu ariko nayo irimwo ibigwanisho bicira umuriro.

Havugwa intambara mpuzamakungu irimwo ibirwanisho bicira umuriro mu gihe igihugu kimwe canke ibihugu vyinshi vyahisemwo gukoresha ibirwanisho bicira umuriro ngo bihangane n'ikindi gihugu (canke ibindi bihugu).

Intambara hagati y'igihugu n'ishirahamwe mpuzamakungu, nayo ifatwa nk'intambara mpuzamakungu.

Muri ino myaka, intambara nyinshi zicira umuriro ntiziba ari mpuzamakungu. Havugwa rero intambara itari mpuzamakungu ariko irimwo ibirwanisho bicira umuriro mu gihe imishamirano iri hagati y'ingabo z'igihugu kanaka hamwe n'imirwi itunganije neza kandi yitwaje ibigwanisho ariko itiyitirira igihugu kanaka.

Kugira ngo intambara nk'izo zigengwe n'amategeko mpuzamakungu akingira abantu mu gihe c'intambara, harabaho kwihweza ingene ziriko zirakorwa n'urugezo rw'imishamirano.

Hambavu yo gukingira abenegihugu batari mu ntambara canke abahora mu ntambara mugabo bashubije inkota mu rwubati, ayo mategeko arakingira abakomerekeye ku ntambara, abarwaye, abatwawe n'amazi n'imirwi ijejwe amagara y'abantu no gutabara imbabare naho boba bari mu ntambara.

Abandi bakingirwa n'ayo mategeko ku buryo budasanwze ni abagore n'abana. Abana ntibemerewe namba kuja mu ntambara, kandi bategerezwa gukingwa cane mu gihe c'intambara.

Nico kimwe n'abakenyezi mu mirwi yose, baba abibungenze canke batibungenze, abapfakazi canke abafise abagabo. Ugukingirwa kwabo mu gihe c'intambara ni ntasubirizwa.

***Mélance Ndayikeze***

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwidegemvya no gutekanirwa

Uburenganzira bw'umuntu bwo kwidegemvya no gutekanirwa, ni uburenganzira buhabwa zina kiremwa muntu iyo ava akagera, mu buzima bwiwe bwa misi yose. Ubwo burenganzira butegekanijwe n'amategeko atandukanye, yaba amategeko mpuzamakungu ndetse n'ayo tugenderako mu Burundi.

1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bw'umuntu bwo kwidegemvya no gutekanirwa

a) Mw' itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu

Ingingo ya mbere ivuga ko abantu bose bavuka bishira bakizana, kandi bangana mu mateka no mu ngingo zibubahiriza. Iyi ngingo ibandanya ivuga ko abantu bose bafise ubwenge n'umutima kandi bategerezwa kwubahana nk'abavandimwe.

Ingingo ya 3 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe.

b) Mu masezerano mpuzamakungu mu vyerekeye uburenganzira bw'abantu bwo kwitunganiriza ivyabo no mu vy'intwaro.

Agace ka kabiri k'ingingo ya 5 kavuga ko, ata na kimwe cemerewe guhagarika canke ngo cirengagize uburenganzira ntabanduka bwa muntu bwemejwe kandi bukubahirizwa mu bihugu vyose vyemeje aya masezerano hisunzwe amategeko, amasezerano canke imigenzo, habaye icitwazo c' uko aya masezerano adakingira canke akingira ku rugero rutoya amategeko kanaka.

Agace ka mbere k'ingingo y'9 kavuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kwidegemvya no gutekanirwa. Kabandanya kavuga ko ata n'umwe ashobora gufatwa ngo apfungwe ataco biciyeko. Nta n'umwe ashobora kwakwa umwidegemvyo, kiretse biturutse ku mvo zategekanijwe n'amategeko.

Agace ka kane na ko kavuga ko umuntu wese abujijwe umwidegemvyo mu guhagarikwa canke mu gupfungwa, afise uburenganzira bwo kwitura sentare kugira imurabire ko iryo hagarikwa canke ipfungwa riciye mu mategeko, atari uko naho, sentare ica itegeka ko arekurwa.

Agace ka gatanu kaza kunganira agace ka kane kuko kavuga ko, umuntu wese yahagaritswe canke agapfungwa bidaciye mu mategeko, ategerezwa kuronka indishi.

c) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu. Ingingo ya 6 ivuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kwidegemvya no gutekanirwa. Ibandanya ivuga ko ata muntu n'umwe ashobora kwakwa umwidegemvyo, kiretse mu gihe bikozwe hisunzwe amategeko. Nta muntu n'umwe ashobora guhagarikwa canke ngo apfungwe hakoreshejwe igikenye.

Amategeko mpuzamakungu duhejeje kudondagura, aragaragaza ko uburenganzira bwo kwidegemvya no gutekanirwa butegerezwa kwubahirizwa. N'amategeko y' Uburundi arategekanya ubwo burenganzira.

2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bw'umuntu bwo kwidegemvya no gutekanirwa.

a) Mw' ibwirizwa shingiro

Ingingo ya 21 ivuga ko agateka k'umuntu wese, kubashwe kandi gakingiwe. Ibandanya ivuga ko ihonyangwa ry'agateka k'umuntu rihanwa n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

Agace ka mbere k'ingingo ya 39 kavuga ko ata muntu n' umwe ashobora kwakwa ubwigenge, kiretse birekuwe n'amategeko.

Agace ka kabiri kavuga ko, ata muntu n' umwe ashobora gukurikiranwa, gufatwa, gupfungwa canke gucirwa urubanza kiretse mu gihe bitegekanijwe n'ibwirizwa ryatangajwe imbere y' uko ivyaha yagirizwa bikorwa.




Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwidegemvya no gutekanirwa

(Bitangurira ku rup.10)

Mu ntumbero yo kwirinda kwaka umwidegemvyo umuntu bidaciye mu mategeko, agace ka 3 na ko kavuga ko, uburenganzira bwo kwiregura butegerezwa kwubahirizwa imbere ya sentare zose.

Agace ka 4 na ko kavuga ko atamuntu ashobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya sentare itegekanijwe n' ibwirizwa.

b) Mw' ibwirizwa n° 1/27 ryo kuwa 29 kigarama 2017 risubiramwo igitabu c'amategeko mpanavyaha

Ingingo y' 427 ivuga ko ikintu cose gihonyanga uburenganzira bwose umuntu ahabwa n 'mategeko, kw'itegeko ry' uwuhagarariye inyungu za Reta canke akaba ari we agikora, gihanishwa ugupfungwa kw' uwagikoze kuva ku misi 15 gushika ku mwaka, akongera agatangishwa ihadabu ry' amafaranga ibihumbi 10 vy' amarundi, canke igihano kimwe muri ivyo.

Agace ka mbere k'ingingo y' 257 kavuga ko, umuntu wese yugaranye uwundi canke akamunyuruza akoresheje urwenge canke akoresheje inguvu, ahanishwa umunyoro uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itanu (5).

Agace ka kabiri kavuga ko mu gihe iryo nyuruzwa ryakozwe n'umuntu yambaye umwambaro w'akazi yahawe na Reta



canke uwubikoze yiyise umutegetsi kanaka canke akabesha ko yariko ashira mu ngiro itegeko ry' uwo mutegetsi, uwagiriwe n' ico caha ahanishwa umunyororo uva ku myaka 10 gushika ku myaka 20.

Agace ka kane na ko kavuga ko, mu gihe i-nyuruzwa canke kugarana umuntu ku nguvu ryakozwe n' uwuri mu rwego rw'igisirikare canke igipolisi, uwagiriwe n'icaha ahanishwa umunyororo uva ku myaka 20 gushika ku myaka 30.

Agace ka gatanu na ko kavuga ko, iyo uwanyurujwe, uwafashwe canke uwapfunzwe yategetswe gutanga amafaranga canke ikindi kintu kugira yigombore, canke yakubaguwe gushika aho yitaba Imana, uwagiriwe n'icaha ahanishwa gupfungwa ubuzima bwose.

Nk'uko ingingo y'258 ibivuga, ibi bihano duhejeje kubadondagurira mu ngingo y' 257, birahabwa kandi umuntu, yagiriwe n'icaha co gufata abantu ajejwe, akabanyuruza, akabapfunga canke agatanga itegeko ryo kubapfunga, mu ntumbero yo kubadandaza nk'abaja.

c) Mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Agace ka kabiri k' ingingo y' 155 kavuga ko, iyo uwagirizwa icaha yahora apfunzwe ic'amaso ashikirijwe umushikirizamanza, aca amusambisha buno nyene, agaca ashinga ko arekurwa canke ko apfungwa.

Agace ka mbere k'ingingo y'160 kavuga ko, umuntu apfunzwe ivy'agateganyo, ashobora gusaba ko arekurwa ivy'agateganyo, ariko ategerezwa kubanza gutanga amafaranga y'ingwati ku mwanditsi w'imanza, yerekana ko igihe cose ubutungane buzomukenera azobwitaba.

Ingingo y'154, irerekana mu gace kayo ka kabiri ryari umuntu ashobora gupfungwa ivy'agateganyo. Ivuga ko uwikekwa ko icaha ashobora gupfungwa ivy'agateganyo imbere y'uko sentare imucira urubanza rumwemeza icaha.

Ivyo na vyo bishika iy'umuntu yagirizwa icaha gihanishwa umunyororo utari munsi y'umwaka umwe.

Ashobora kandi gupfungwa ivy'agateganyo mu ntumbero yo gukingira abakorewe icaha; kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe ; kugira babuze ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa canke kugira begereze uwukurikiranwa ubutungane, bumuronke mu gihe cose bumukeneye.

Mu gusozera, twomenya twese ko uburenganzira bwo kwidegemvya no gutekanirwa ari uburenganzira amategeko atandukanye aha zina kiremwa muntu wese, kandi ko butegerezwa kubahirizwa hisunzwe ayo mategeko.

Ariko naho biri uko, twomenya ko iyo umuntu yagiriwe n'icaha agahabwa igihano c'umunyororo, ubwo burenganzira arabwakwa, ariko ntabwakwa uko umuntu yishakiye.

Amategeko aratomora neza ko Sentare yonyene ari yo ifise ububasha bwo kubikora, ibanje kugira amatohoza no kuburanisha uwagirizwa icaha, bikagaragara vy'ukuri ko ari we yakoze icaha, kugira umuntu ntahave yakwa umwidegemvyo wiwe hadakurikijwe amategeko.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Papa Fransisiko muri Congo no muri Sudani yo mu bumanuko

Kuva ku wa 31 Nzero gushika ku wa 5 Ruhuhuma 2023 Nyenubweranda Papa Fransisiko yari mu rugendo rugira 40 ku mugabane wa Afrika; mu bihugu vya Congo na Sudani y'ubumanuko. Nyenubweranda yahereye urwo rugendo muri Congo kuva ku wa 31 Nzero gushika ku wa 3 Ruhuhuma. Inyuma y'umuhingamo w'igenekerezo rya 3Ruhuhuma, yafashe urugendo agana igihugu ca Sudani aho yamaze iminsi ibiri.

Muri Congo Papa Fransisiko yahashitse ku wa 31 Nzero. Aca abonana na Nyenicubahiro Félix Tshisekedi yongera abonana n'abajejwe intwaro, abaserukira ibihugu vyabo muri Congo hamwe n'abaserukira amashirahamwe ategamiye Reta. Mw'ijambo yabashirije yagarutse ku mabi menshi ageramiye ico gihugu ndetse na Afrika yose. Yabasavye guhaguruka ngo bafate mu minwe ubutunzi bw'igihugu cabo ngo kigumane ubwiza n'iteka ryaco bakibungabunge nk'inzu babamwo.

Yarasemereye asaba ko ico gihugu ndetse na Afrika bikeneye kubahwa, kumvirizwa. Asaba abagipfumbase ku nyungu zabo ko bikerukura kikaba igihugu cigenga. Ati ese Afrika yo kanyamuneza n'umwizeri wiyi isi yogira agaciro, nayo ikagira ijambo n'ubuserukizi mu bindi bihugu.

Ku 1 Ruhuhuma, Papa yahereje inkuka ya misa yabereye ku kibuga c'indege ca Ndolo aho yigishije ikigongwe no kwicisha bugufi.

Yarabibukije ko atigera avirira abakene n'abagowe. Abibutsa ko guharanira amahora bihera ubwa mbere mu mutima w'umwe umwe wese. Bakemera ko ibibatandukanya bifatiye ku moko, intara, ibihugu n'ukwemera atari ivyo vyoza ubwa mbere ngo bibe isoko ry'indyane, ariko bemere ubwa mbere ko bavukana, basangiye ugupfa n'ugukira muri ico gihugu kandi bagasangira na Data wa twese ari mw'ijuru. Abatumirira guhitamwo kuba ivyabona vy'ikigongwe n'amahoro.

Inyuma y'umutaga yabonanye n'abacitse kw'icumu mu ndwano iriko irabera mu burengero bw'iguhugu. Ababazwa ca-ne n'amagorwa barimwo arabaremesha ko amarira yabo ariyo yiwe. Ko ababazwa n'amabi bakorerwa n'amaraso aguma aseseka muri iyo ntara.

Ku 2 Ruhuhuma yabonaye n'urwaruka ku kibuga citiriwe abamaratiri. Yabamenyeshe ko kazoza ka Congo kari mu minwe yabo. Ariko kugira babishikire, bategerezwa kugaburira imitima yabo n'igisabisho. Ati: « Ntimuhe umugongo Yezu nkumwe ari kure yanyu kandi atinyitse, ariko ni mu mugire umugenzi mukuru yatanze ubuzima bwiwe ku bwanyu. Arabazi ni mumuyagishe, mumubarire ibibagoye aho muhereye, ibigoye abagenzi, abigisha banyu, igihugu (…). Ati Imana irakunda igisabisho mwenico kivuzwe kivuye ku mutima. Kugira gikunde mwirinde gukumira abandi, kubera intara, ubwoko n'ibindi bishobora kubacanishamwo.»



Inyuma y'umutaga yabonanye n'abasaseredoti, abadiyakoni, abihebeyimana n'abaseminari. Aho yabamenyesheje ko Imana ibaciyeko ishaka gusiga amavuta y'uruhoza abakongomani. Abatumirira kwirinda urwangara mu vy'umutima, uguhahamira ivy'isi n'ukweyuka.

Yarangirije urwo rugendo rwiwe muri Congo ku mubonano yahaye Abepisikopi bashika kuri 60 ku wa 3 Ruhuhuma. Bakaba barahimbawe cane nuwo mubonano kuko uwo mubonano uje kubahoza mu butumwa bwabo, ngo babandanye gukomeza igihugu c'Imana kiri mu ngorane nyinshi. Yarabibukije ko kugira ube umutumwa utegerezwa kugira umwidegemvyo w'imbere mu mutima.

Ku mugoroba w'uwo munsi yaciye afata indege agana i Juba ku murwa mukuru wa Sudani y'ubumanuko. Urwo rugendo akaba yarugize nk'intumwa y'amahoro muri ico gihugu abantu baho baruhishijwe n'intambara n'akarenganyo. Akaba yarasavye imirwi yose yahaye umubonano gukura hasi bakiyamirize akarenganyo kari muri ico gihugu.

Yatumiriye Abepisikopi gufatira akororero kuri Musa, we mukoyobora igihugu c'Imana atigeze ahagarara ku nguvu ziwe, ariko yamye yorohera inzira Imana yamucishamwo naho ubwa mbere yari yashatse guhagarara ku nguvu ziwe. Muri vyonse na hose yabahamagariye kumwigana we no mu busaza bwiwe yamye atega ibiganza Imana yambariza igihugu yari yamuragije.

**MSV M Goreth Ndikumana**